**A Tale of Two Cities**

Joshua 20:1-10

Lesson 154

## INKURU Y'IBISAGARA BIBIRI

**Yosuwa 20 :1-10**

Lesson 154

Ijambo ngenderwako : « *Data, nshize ubugingo bwanje mu maboko yawe.* » **Luka 23:46**

### I. Intangamarara

Intambara imaze igihe, Abisirayeli baba mu gihugu. Abansi babo bari baratekewe n'ubwoba kandi babona inkomezi z'Imana y'Abisirayeli. Uhoraho asanzwe azi ko abantu kubana amahoro bigoye, ategeka Yosuwa ko barobanura ibisagara vy'ubuhungiro mu bisagara bari barafashe.

Barobanura Kadeshi i Galilaya mu misozi y'aba Nafutal in'i Kiriyati-Araba ariho i Heburoni, mu misozi y'Abayuda. **Umurongo wa 7**. Mu vyirwa twize, biratwereka ko hari ibindi bisagara vy'ubuhungiro mu b'Isirayeli.

### II. Kubera iki Imana yashizeho ibisagara vy'ubuhungiro ?

Muri kamere y'umuntu, yama ari mubi igihe atarezwa n'amaraso y'Umwami Yesu. Yamana ivyaha. Ushobora gutangara ubonye uwo wakoreye iciza, ariwe aguteguriye ikibi. Umugabo canke umugore wizigira, ukamukorera vyose ushoboye, aguhindutse, ukumirwa.
Naho Abisirayeli bari bashitse mu gihugu ciza, gitemba amata n'ubuki ; Uhoraho yari azi ko amatati yo atazobura. Ishiraho ibi bisagara kugira ngo uwishe umuntu atabishaka, agashobora gushika muri kimwe muri ivyo bisagara, ntaze yicwe n'abiwabo w'uwupfuye.

### III. Ibisagara vy'ubuhungiro na Yesu Kristo.

Mbega hoba hari isano hagati y'ibi bisagara vy'ubuhungiro no kuza kwa Yesu Kristo mw'isi ?
**1**. Ibisagara vy'ubuhungiro vyasizweho n'Uhoraho ubwiwe, murundi ruhandi, Imana niyo ihora ishiraho igisagara c'ubuhungiro, aho uwakijijwe ashobora guhungira umwansi. Yatanze Umwana wiwe Yesu Kristo ngo aba ubuhungiiro bw' abahirwa n'umwansi Satani.

**2**. Uwaba muri muri ico gisagara, yaratekana kubwo ikibi yakoze. Muri ico gihe umuntu ariko amaraso y'umuntu, yariruka kugira akize amagara yiwe. Iyo Mpwemu Yera avugiye mu munyavyaha, ariruka atumbereye umusaraba wa Yesu kugira akize ubugingo bwiwe urupfu rwa kabiri.

**3**. Mu guhungira muri ivyo bisagara ; Hari haratunganijwe inzira zigoroye, ibiraro bikomeye, hakaba icahapa canditseko ngo : IMPUNZI. Kwari kugira vyorohere uwuhunga gushikayo

vuba atazimiye kandi atarafatwa. Ku marembo y'igisagara cose, hari umurinzi. Igihe yabonera kure uwuriko arahunga, yarashobora kuja kumusanganira akamwereka inzira inyaruka kugira ashike. Agezeyo, akamara imisi aruhutse, abalewi batowe baca batangura kumwigisha ivyirwa vy'ijambo ry'Imana.

Uyu musi Yesu Kristo yashizeho inzira iboneka (Umusaraba), yubaka ikiraro gikomeye (Ukwizera), ashiraho abasanganizi (Abayobozi) ; arakubwira ati : *« Umwansi ari inyuma yawe, hungira kuri we, ukize ubugingo urupfu rutarashika.* »

**4.** Imiryango y'ivyo bisagara ntiyigera yugarwa naho hobaye mu gihe c'intambara. Harico bitwigisha :
a) Yesu Kristu ntaho yugarira uwumusanga wese yipfuza gukiza ubugingo.
b) Mbega kurara mu nzu itugaye biraguha umutekano ? ivyogushikira ni ibiki ? Aha niho ukwiye kumenya ko kuba mugakiza, bitasigura ko amageragezwa yaheze, umwansi aracariho. Bigusaba guhora usenga.

**5.** Ibi bisagara vyubakwa ku gatumba karekare. Bigakwizwa mu gihugu hose. Vyatuma uwariwe wese ashobora kuhabona. Uku niko Yesu yasaba abigishwa biwe kuba umuco kuri bose ngo bitume bose (Abatunzi n'abakene, abazungu n'abirabura,…) bemererwa kwakira agakiza kuwuvyipfuza. Yesu Yavuze ngo : Uwugomba wese naze.

## IV. Gushira mu ngiro.

Umuntu wese abayeho adafise Umwami Yesu Kristo m mutima wiwe, aba ariko uruhigi rwa Satani n'abadayimoni biwe kandi rushobora kumufata akanya n'akanya.

Nta handi woronka ubuhungiro, atari ku musaraba w'Umwami Yesu Kristo. Wokwihenda, ukibwira ko izi nyigisho ari inkuru gusa zo mw'ishengero ; ariko menya ko umuntu wese azopfa, hagakurikira urubanza. **Abaheburayo 9 :27** *« Kandi nk'uko abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza urubanza.* » woba uri warashitse mu gihugu c'ubuhungiro bubonerwa muri Yesu Kristo ? Niba ubona ko ukiri inyuma y'urugo ; Utarashika, ngwino wirukanga utumbere Yesu Mucunguzi wawe, arakwakira, agushikane mu mahoro yiwe kandi na nyuma y'ubu buzima, uzohabwa ubugingo budashira.

**AN OLD SOLDIER'S FAREWELL**

Joshua 23-24

Lesson 155

## YOSUWA ASEZERA INGABO UBWANYUMA.

Lesson 155

**Yosuwa 23 :1-4 ; 24 :29-33**

**Ijambo ngenderwako : «** *Yamara jewe umusavyi wawe nahereye mu buto bwanje nubaha Uhoraho* **» 1 Abami 18 :12b**

# I. Intangamarara

Igihe kiraheze turiko twiga igitabo ca Yosuwa kidondora ukuntu Yosuwa umusubirizi wa Mose, yarongoye abantu mu rugamba rwo gufata ighugu c'i Kanani no murwo kukigaburira imiryango y'Abisirayeli. Uyu musi turaza kumusezera ubwanyuma. Uyu ni umwe mu bari barabaye muri Egiputa, aho Uhoraho yabakurayo n'inkomezi zitangaje, ikoresheje Mose ; bakababashika imiliyoni zibiri.

Muri abo, abari bakwije imyaka 40, bose baheze mu bugararwa uretse uyu Yosuwa na Karebo. Aba binjiye iki gihugu c'isezerano ni abavukiye mu bugararwa. Turabona ijambo rya nyuma ry'uyu mukozi w'Uhoraho. Bibiliya irimwo amazina y'abantu benshi bakoreye Imana, bakaba barasezeye amahoro, harimwo na Yosefu, uwo baduganye amagufa yiwe bayakura muri Egiputa, bakaba baje kuyahamba i Shekemu ku gasozi se Yakobo yari yaraguze.

# II. Ijambo ry'umutama Yosuwa.

Umugabo ariyumva ko ashovbora gupfa, araca ahamagara abiwe, akabaraga, afatira ku buzima yabayemwo. Yosuwa ahamagara abashingantahe, intwazangabo, abacamanza bakoranye, abamenyesha ko ashatse kandi hageze ko ajana inzira ab'isi bose bajana. Iri jambo rya Yosuwa, ribonekamwo :

1. *Kwicishabugufi.* Yosuwa yahaye icubahiro Imana, yo yabagejeje aho bageze. Ntiyishize hejuru ngo avuge ngo : Nakoze ibi n'ibi, **imirongo w'i 9-10**

2. *Impanuro* : **soma Yosuwa 24:14-15.**
Impanuro z'utama Yosuwa zerekeza kubaha Uhoraho yagendanye nabo, akabakorera ivyiza, akabaha igihugu nk'ayandi mahanga.
Ariko kuko Imana atawe ikiza ku nguvu, Yosuwa arabaha uburenganzira bwo kwihitiramwo Imana bashaka gukurikira. Ntiyababwiye ngo : rimwe muzokurikire Uhoraho ahandi mukurikire ibigirwamana. Imana mukurema umuntu yamuhaye uguhitamwo ubuzima bwiwe bwa hano kw'isi n'ubwo inyuma y'urupfu. Nico gituma umuntu azindutse, ashobora gufata ingingo yo kwirirwa aryamye canke agakora. Arashobora kwihitiramwo ahantu aza kugendera nk'uko avyishakiye. Arashobora no guhitamwo kwirirwa mu gikorwa c'Imana canke akabireka. Inyungu zo guhitamwo zigirira akamaro canke amagorwa mwenevyo.

Uko uhisemwo, niko ubaho kandi guhitamwo kwawe aha kw'isi, kurafitaniye isano n'uko uzobaho inyuma y'urupfu
Nico gituma Yosuwa yavuze ati : « *Ariko jewe n'abo mu rugo rwanje tuzokwama tugendanira Uhoraho* ». Aha, yakurikiranije amajambo atatu : Jewe, abo mu rugo rwanje, ishengero. Mu nzira yo kuja mw'ijuru, uwo kwitaho ubwa mbere n « **jewe** » uwakabiri ni « **Umuryango wanje** » hakurikira « **abandi** ». Biri uko kuberera ko kuja mw'ijuru umwe atawuzojana n'uwundi naho yoba umugore n'umugabo. Ni nkuko atogira uwo ugirako urwitwazo ko kunanirwa kwawe. Naho abandi bonanirwa n'umusaraba, **Jewe** nzoshishikara kugera nshitse mu gihungu c'isezerano.

## III. Icagirizi c’uguhitamwo.

**Soma Yosuwa 24 :26-28**

Aha niho ubonera ko ibikorerwa musi y’ijuru vyose biba bifise aho vyandikwa kandi arivyo bizokwagiriza umuntu bitume akira canke atabwa mu ruriro utazima.

## IV. Urupfu rwa Yosuwa n’ishingurwa ry’abandi batatu.

Inyuma y’ijambo rya Yosuwa n’abantu bagasubira inyuma ; igihe kiragera Yosuwa arapfa. Naho apfuye, haracasigaye ibindi bisagara bitarafatwa. Mbega ni inde azomusubirira ? Ntawe yateguye nkuko Moye yabikoze. Hagiye kuzohora bayobowe n’abacamanza. Bateguye amaziko. Aha haravurwa amaziko y’abantu batatu: Yosuwa mwene Nuni, amagufa ya Yosefu mwene Yakobo, Eliyazari mwene Aroni. Babaye abizigirwa, none bahambwe n’icibahiro.

Aba bose bari ingabo z’Uhoraho zakoze ibikorwa bikomeye mw’isi bikandikwa. Ubu bari mu gikiriza ca sokuru Aburahamu. ; bategeye abakiri mw’isi.

## V. Gushira mu ngiro.

Imana ntiyari yarateguye urupfu k’umuntu. Rwabayeho kuva Adamu acumuye, ukugarariza Imana kukarwira. Ubuntu bwarabonetse, bugiririrwa umuntu n’Imana, kubwa Yesu Kristo biciye m’ukwizera. Yesu yarapfuye, arazuka. Ariko imbere y’uko aofa yayagishije intumwa ziwe, azisigarana iragi ryiza ryo kwizera. Iri ragi rigirira akamaro abamwizera bose kuko, ribaha amahoro rikazobashikana k’ubugingo budashira.
Niwame uzi ko umuntu adahoraho, nawe igihe kizogera, ugasanga abandi. Aha bigutume wibaza ibibazo bibiri :

1. Mbega ni napfa, nzosigira iragi ki umuryango wanje na cane cane mu nzira y’agakiza ? Noba nari akarorero keza ? None nihe vyangoreye ?
2. Mbega nk’ubu nopfa, noja mw’ijuru ? Ntagiyeyo noca njahe, nkabaho gute ?

Niba usanze inyishu zawe zirimwo amakenga, ubuntu bw’Umwami Yesu buracahari, agusaba guhaguruka ukamusenga ubu nyene.